
# Bibiliya y'Abana
Ishikirije



# Umwamikazi Mwiza W’igitangaza Esiteri


Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique




Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org





©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.






Harigeze kubaho umwigeme mwiza cane, yitwa Esiteri. Se na nyina biwe bamaze gupfa, inarume yaciye amutora aramurera. Esiteri yaramwubaha kandi akamwumvira nk’umwana wiwe.





Esiteri yaba mugihugu c'ubuperesi, ariko muvy'ukuri yari umuyuda. Abasekuruza biwe ba kera bari bazanwe mu buperesi bazanwe muntambara nk'imbohe. Mugihe ca Esiteri, abayuda beshi baba murico gihugu c'ubuperesi.
3



Umwami w'ubuperesi yatanze ubutumire bw'iteka kubaganwa batwara mubwami bwiwe bwose. Abagabo Bari babatandukanije n'abagore bari bakiriwe n'umwamikazi vashiti. Umwami, yari yanyoye cane ahamagara vashiti, kugira ngo amwambike igitsibo c'ubwami kandi kugira ngo yerekane ubwiza bwiwe. Umwamikazi aranka kuza.
4


Kugira ngo yerekane ko abagore bakwiye kwubaha abagabo babo, umwami aca ashinga itegeko rikura umwamikazi vashiti ca gitsibo. Kuva ubwo, ntiyari akiri umwamikazi.
5



Baca batangura kurondera uwundi mwamikazi. Mubakobwa beza cane mubwami bwiwe, umwami atora Esiteri ngo amubere umugore. Aca amwambika igitsibo c'ubwami kumutwe wiwe. Kubera impanuro yahawe na inarume, Esiteri ntiyigeze abwira umwami ko ari imuyuda.
6



Inarume Morodekayi yamaze igihe ari kw'irembo ry'ikirimba, kugira amenye amakuru ya Esiteri.
Umusi umwe amenya ko abakozi babiri mubakozi b'umwami bashaka kwica umwami. Morodekayi aca abimenyesha umwami, gutyo aba akijije ubuzima bw'umwami. Abo bakozi bashaka kwica umwami, baciye bicwa, maze izina rya morodekayi rica ryandikwa mubitabo bidonda ivyabaye.
7



Umunyacubahiro agira kabiri k'umwami yari umuntu w'umutunzi cane yitwa hamani. Abantu bose baramufukamira iyo yaba ariko ararengana. Bose kiretse umuntu umwe gusa. Nk'umuyuda, morodekayi ntazindi mana yasenga kiretse Imana nyamana.
8


Hamani yaranka cane morodekayi gushika aho umusi umwe yafashe ingingo yo kumwicisha, hamwe n'abandi bayuda baba mu buperesi.
Mbega icago! Hamani atuma umwami asinya itegeko rivuga ko mugihe kanaka abayuda bari mubwami bwiwe bategerezwa kwicwa.
9


Ryari itegeko ry'umwami riteye ubwoba. Abayuda n'abanyaperesi bose bararira kubw'iryo tegeko.
Ariko mwibuke! Imana yari yamaze kugira Esiteri umwamikazi. Kandi yari umuyuda. Mbega yari kubandanya ahisha ibanga ryiwe umwami? Canke yategerezwa kwemera no gushobora kwicwa kugira ngo arabe ko yokiza ubwoko bwabo?
10


Imana iha Esiteri iciyumviro ciza cane. Atumira umwami hamwe na hamani. Ico gihe umwami aca amwemerera ko amuha ico amusaba cose. Nawe aca asaba ati: "Ndasavye umwami azanane na hamani bazanane kunzimano nabateguriye, kandi ejo nzokora ico umwami azonsaba cose."
11


Muri ico gihe nyene, hamani yari yamaze gushinga igiti co kumanikako morodekayi.
12


Iryo joro, Umwami vyanka ko aryama. Asoma ibitabo vyanditswemo ivyagiye biraba muri kahise aca abona ko morodekayi atigeze ashimirwa igikorwa yakoze co gukiza ubuzima bw'umwami. Bukeye, umwami abaza hamani ati: "Uwo umwami akunze, Yomukorera iki?"
Hamani aca yiyumvira ko umwami ariwe ariko yiyumvira kugirira neza.
13


Hamani yari yaje gusaba uruhusha umwami rwokumanika morodekayi. Igiti co kumumanikako cari categuwe. Ubu rero ivyo vyategerezwa kurindira gushirwa mungiro. Atangaye cane, hamani aca atangura guterera ivyiyumviro umwami ati:
14



"Yofata imyambaro y'ubwami n'igitsibo c'ubwami akavyambika uwo muntu umwami akunze." "Akamwicarika kundogoba y'umwami. Agasaba umuganwa w'i bwami akamutembereza mugisagara, kugira ngo bose bamubone." Umwami aca ategeka hamani ati: "Ivyo uvuze genda ubikorere morodekayi umuyuda."


15



Mbega mwibaza ko hamani yiyumva gute igihe yariko yubaha morodekayi amukorera ivyo vyose kandi amutembereza mugisagara? Yumvise yanse morodekayi gusumba uko vyahora. Hamani yashobora kwibaza ati: "Turindire", "Vuba azokwicwa hamwe n'abandi bayuda bose."

16

Haheze akanya k'umurango, hamani n'umwami baza kunzimano umwamikazi Esiteri yari yabateguriye. "Yagira asabe iki umwami?" Ntiyari yibagiye isezerano yahawe n'umwami. Aca yerekana hamani, umwamikazi aca ashira ahabona umugambi mubi hamani afise wo kwica morodekayi. Umwami aca ategeka ati: "Hamani abe ariwe yicwa".



17

Ubwo nyene umwami aca ashiraho irindi tegeko ryemerera abayuda kwiregura. Baba barakijijwe! Morodekayi aca ahabwa ikibanza kigira kabiri havuye umwami kandi abayuda baca baranezerwa bamushikanira n'ingabire. Gushika n'ubu, abayuda baracibuka ingene Imana yabakijije, ikoresheje umwamikazi mwiza Esiteri.



18

Umwamikazi Mwiza W'igitangaza Esiteri


Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Esiteri

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

19




30 60

20

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana
yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16